IBANKI YA REPUBLIKA
Y'UBURUNDI
UMUYOBOZI

ITANGAZO

Ibanki ya Republika y'Uburundi (BRB) iramenyesha abantu bose babikije amafaranga yabo mu ryahoze ari ishirahamwe ryo kuziganya no kuguranana INEZA IWACU MICROFINANCE S.A. ko igiye gutanguza igikorwa co kubishura igice c'amafaranga bari barabikije muri iryo shirahamwe, hisunzwe amafaranga ahari hamwe n'amategeko abigenga.

Kubera iyo mvo, Ibanki ya Republika y'Uburundi imenyesheje ibi bikurikira:

1. Urutonde rw'ababikije amafaranga muri INEZA IWACU MICROFINANCE S.A. ruzomanikwa ku kibanza BRB isanzwe imanikako amatangazo hamwe no ku rubuga ngurukana bumenyi rwa BRB arirwo www.brb.bi .
   Kuri urwo rutonde, hazokwerekanwa umusi umwe wese ategekanirijweko gutunganirizwako.
2. Umuntu wese yabitse amafaranga muri iryo shirahamwe arenga ibihumbi bitatu asabwa kwitwaza ikarata karangamuntu iri ku mazina yiwe.
3. Abafise amakonti mu mabanki canke mu mashirahamwe yo kuziganya no kuguranana ari ku mazina yabo, basabwa kwitwaza icemezo cerekana ko ayo makonti ari ayabo, kugira ngo amafaranga bazohabwa ashobore kurungikwa kuri ayo makonti. Abadafise amakonti bazomenyeshwa uburyo buzokurikizwa kugira ngo bashobore kuronka amafaranga yabo.
4. Igikorwa kizotangura ku wa 16 Munyonyo 2026, kikazokorwa mu masaha akurikira:
   - Mu gitondo: kuva isaha 8h30 gushika 12h00.
   - Inyuma y'umutaga: kuva isaha 14h30 gushika 17h00.
5. Abogira ikibazo kijanye niri tangazo bohamagara kuri 22 20 43 64 canke 22 20 42 95 mu masaha y'akazi.

Ibanki ya Republika y'Uburundi irangije ikengurukira ababikije amafaranga yabo ku bufashanye bazogaragaza muri iki gikorwa.

Bigiriwe i Bujumbura, igenekerezo rya 09 /11/2026

Edouard Normand BIGENDAKO

Umuyobozi.-